**Regular School Attendance**

# Ukugenda kw'ishule kwa misi yose

## Ukumenyesha abavyeyi n'abarezi

## Mwari mubizi?Iyo umunyeshule asivye imisi ishika 8 mu gice c'ishule, mu mpera z'amashule y'intango bifatwa nk'uko uwo mwaka ubaye impfagusa ku munyeshule.

### Kubera iki ntegerezwa kurungika umwana wanje kw'ishule?

Mu ntara ya "New South Wales"n'itegeko k'umuntu wese aja mw'ishule. N'ukuvuga ko abana bose hagati y'imyaka itandatu n'igihe categekanijwe kuba uri mw'ishule bategerezwa kuja kw'ishule

Guhera mu mwaka wa 2010, abanyeshule bose bo muri New South Wales bategerezwa guheza umwaka w'icumi, Year 10. Barengeje umwaka w'10 Year 10 gushika bashikane imyaka 17 abanyeshule bategerezwa kuba:

1. bari mw'ishule canke barekuriwe kwigira i muhira
2. bari mw'ishule canke ahandi hemewe n'amategeko( akarorero TAFE, aho bita "traineeship, apprenticeship" canke
3. kuba bakora akazi ka minsi yose, bahembwa (amasaha nka 25 mu ndwi) canke bakora bakongera bakiga canke bari mu bibanza vyo kumenyereza

Abayobozi b'ishule basabwa n'amategeko ko babika neza ivyerekana ko umunyeshule atonda kw'ishule.

Abayobozi b'ishule n'ibo bajejwe gutohoza ko imvo zatanzwe kugusiba kw'umunyeshule zikwiriye.

Kuri izomvo, abayobozi b'ishule bashobora gusaba urupapuro rwo kwa muganga canke izindi mpapuro zerekeye ugusiba kenshi cnake ukwikurikiranya gusiba kwatanzwe n'abavyeyi bivuye ku kurwara.

Iyo imvo zatanzwe zidahagije, abayobozi b'ishule baca bandika mu bitabo ko ugusiba k'uwo munyeshule ata mvo gufise.

Ni ngobwa kumenya ko ico bita "New South Wales Department of Education & Training" bashora kwitwarira abavyeyi mu butungane (harimwo n'abarezi) iyo abana bakwije imya yo gutangura ishule bafise ibisibo vyinshi kandi atampamvu zatanzwe.

### Ntegerezwa kurungika umwana kw'ishule imisi yose?

**Ego cane**. N' itegeko iyo umwana yandikishwa kw'ishule kumenya ko azokwama agenda kw'ishule imisi yose ishule ryuguruye.

Ibisibo bikeyi birashoboraa kugira insiguro iyo umwana:

- agenda ku birori vy'ishengero
- asabwa kugenda ku rubanza rw'umuryango rwihutirwa nk'urupfu
- arwaye cane canke afise indwara yandukira

Inda zo mu mutwe ni imwe mu ndwara zandukira cane cane mu mashule y'intango. Abavyeyi baterezwa gusuzuma imisi yose imishatsi y'abana barbe ko ata nda zirimwo kugira bace babajana kubavuza kwa muganga.

Amakuru yahinduwe muzindi ndimi shobora kwumva kuvyerekeye inda zo mu mutwe n'ukuntu zivurwa asangwa muri: https://www.det.nsw.edu.au/languagesupport/documents/headlice/infosheet.htm

Impanuro ziva mu gisata c'amagara y'abantu muri NSW bamenyesha ko atari ngombwa ko umunyeshule yirukanwa akarungikwa i muhira kubera inda zo mu mutwe.

### Ni kubera iki ukugenda kw'ishule imisi yose ari ngombwa?

Ukugenda kw'ishule imisi yose bifasha umwana kuzokwitunga mu buzima.

Ukugenda kw'ishule imisi yose bifasha umwana kwubaka ubumwe n'urukundo n'abandi bana.

Iyo umwana atize neza ubumenyi bw'intango mu myaka ya mbere y'amashule, ashobora kugira ingorane z'ubumenyi mu myaka ikurikira.

NEW SOUTH WALES DEPARTMENT OF EDUCATION AND TRAINING

## Ni kubera iki gushika kw'ishule kw'umwanya utegekanijwe ari nkenerwa?

Gushika kw'ishule no mw'isomero ku mwanya :

- Bituma ibikorwa vy'ishule vyateguwe kuri uwo musi bitamurengana
- Vyigisaha umwana kwiga akamaro ko gushika kw'ishule kugihe
- Bituma umwana aronka umwanya wokuramutsa abandi banyeshule imbere yuko isomero ritangura kandi
- Bikagabanya ukuva mw'isomero imbere y'igihe.

Ugucererwa kw'ishule birabikwa mu bitabu vy'ishule kandi bifatwa nk'igice c'ugusiba kandi bitegerezwa kumenyeshwa ishule nko mu buryo bwategekanijwe bwogusiba ishule.

## Ni iki ntegerezwa gukora iyo umuryango ugiye mu biruhuko mu gihe c'ishule?

Abavyeyi n'abarezi barahimirizwa ukutakura abana kw'ishule iyo umuryango ugiye mu biruhuko.Imirya yategerezwa gutegekanya ibiruhuko mu gihe amashule afunze.

Iyo umuryango ugiye mu biruhuko mu gihe c'ishule ,menyesha umuyobozi w'ishule imbere kugira usabe ikiruhuko canke uruhusha rwogusiba .

Bivuye ku mvo n'igihe ikiruko kizomara,ushobora gusaba ishule kuguha imyimenyerezo izokorwa mu gihe umwana azoba atari kw'ishule.

## Ni ngombwa ko umwana yitabira ibikorwa vyose vy'ishule hari mwo n'ukunonora imitsi n'ukwiyondesha?

**Ego cane**. Ukunonora imitsi hamwe n'ibindi bikorwa vyubaka umubiri bituma abana bagira amagara meza.Abana bategerezwa kwitabira ibikorwa vyose vy'ishule harimwo ukunonora imitsi.

## Ntubuze' umwana kuja kw'ishule bivuye kuri ibi bikurikira:

- Imisi mikuru y'amavuka
- ugusuma
- ukwitaho abandi bana
- Ibintu vya misi yose nk'ukwimosha
- utugorane duto twashitse mu muryuango
- ukuryamira.

Impusha zo kwa muganga zerekeranye n'umwana zategerezwa gusabwa imbere, inyuma canke mubihe vy'ibiruhuko vy'ishule.

## Ni iki nokora iyo umwana aja gusiba ishule?

Iyo umwana wawe aja gusiba ishule, ni ngombwa cane ku menyesha ishule kandi ukayiha imvo zatumye umwana asiba.
Iyo umenyesha ugusiba kw'umwana, abavyeyin'abarezi barashobora:

- kurungika urwandiko,fax,email kw'ishule
- gutelefona ishule canke
- kwishikira kw'ishule.

Ibisibo vyose bitegerezwa gusigurirwa ishule. Urwandiko rwateguwe mu ndimi zibiri hamwe n'izindi nyigisho zerekeranye n'ukwitabira ishule tubisanga muri website ya Department muco bise School Attendance (gutonda kw'ishule)
https:/www.det.nsw.edu.au/languagesupport/documents/index_s.htm

Umuyobozi w'ishule arafise uburenganzira bwo kubaza abavyeyi canke abarezi icatumye umwana asiba ishule.

Umuyobozi arashobora kandi gusaba izindi nsiguro ku mvo zatanzwe ku vyerekeranye n'ugusiba k'umwana.

## Umwana ntaza ku genda kw'ishule. Nokor'iki?

Utegerezwa guhamagara umuyobozi w'ishule vuba na vuba kugira mubivugane kandi usabe umuntu yogufasha.Umuyobozi w'ishule ashobora gusaba uwogufasha mubajejwe gufasha canke uwujejwe ivy'amashule ya ben'agataka.

## Ni bande bita "home school liaison officers and Aboriginal student liaison officers"?

Abo bise "Home school liaison officers and Aboriginal student:n'abantu baronse inyigisho zihagije kugira bafashe umwana kugenda kw'ishule.

Bakorana n'abajejwe amashule kugira bahimirize abanyeshule bagende kw'ishule badasiba.

Ku vyerekeranye n'integuro bita " Home School Liaison" ushobora kwegera uwujejwe izo nteguro mu co bise"Local Department of Education and Training regional office Inomero zoguhamagara ko zisangwa kuri website ikurikira:
www.det.nsw.edu.au/contactus/index.htm canke uhamagare kuri 131536

## Wob'ufise ingorane zo gushikana umwana kw'ishule bivuye ku mvo zikurikira?

- ntashobora kuva mu gitanda
- ntashobora kugenda kuryama
- ntashobora kubona impuzu z'ishule, ibitabu, imyimenyerezo y'ishule, amasakoshi y'ishule...
- ivyo gufungurira kw'ishule bitategekanijwe
- Iyo umwana yikwegura mugufungura mugitondo imbere yo kuja kw'ishule
- imyimenyerezo bahawe kw'ishule ntiyakozwe
- kuraba televiziyo bwije cane canke iyo bategerezwa kwitegurira kuja kw'ishule
- Ikibazo canke insiguro utanga
- Iminsi mikuru y'amavuka
- iyo umwana arira cane adahora.

## Ng'izi impanuro zimwe zimwe zifasha ugukora neza ivyo usabwa:

- kwama utegekanya umwanya wokuvyukira ko
- kwama utegekanya umwanya wo kuryamurako
- kwama wateguye impuzu z'ishule n'amasakoshi mw'ijoro imbere y'umunsi w'ishule
- gutegura mw'ijoro ibifungurwa vyo kurira kw'ishule
- gutegekanya umwanya wo gutangura no guhereza gufungurirako mu gitondo
- gutegura umwanya wo gukorera ko imyimenyerezo umwana yahawe kw'ishule
- kwatsa televiziyo ku mwanya wategekanijwe kandi iyo bikwiriye
- gukara, abana bategerezwa kuja kw'ishule
- kwitwararika kubahimiriza
- kukara ukamenya umwana ko umsi wiwe w'amavuka atari ikiruhuko
- umwanya wogutonda kw'ishule utegerezwa guhurirana nuko inkengeri ivuze kandi umwana akava kw'ishule ningoga.Iyo vyategekanijwe umwigisha arashobora gusigarana umwana.

## Urakeneye uwusigura indimi mu zindi?

Igisata gisobanura indimi muzindi carategekanijwe aho bikenewe ku bavyeyi n'abarezi batavuga canke batumva icongereza canke ku bavyeyi n'abarezi bibiragi bakoresha ibimenyetso mu kuvuga. Ushaka amakuru menshi kuvyerekeye ico gisata hamagara ishule yawe canke uhamagare ico gisata kuri131450.Saba uwushobora kugufasha mu rurimi rwawe,uwo asobanura aca ahamagara ishule kugira agufashe mu ngorane zawe.Nta mafaranga uzosabwa kuri iyo mfashanyo.

© March 2010
Student Welfare Directorate
NSW Department of Education & Training